56-0610 — Ugutungana, Gitugutu 2026 **Izina**_____

1) Ni hehe Mwene Data Branham yavuze ko Mpwemu Yera Yamanukiye ubwa mbere, hakaba hari haheze imyaka mirongo itanu muri Nyakanga y'uwo mwaka?

☐ Kuri Life Tabernacle, i Shreveport, muri Louisiana
☐ Ku mpera ya Spring Street, i Jeffersonville
☐ Kuri Azusa Street, i Los Angeles
☐ Mu gisagara yavukiyemwo, i Burkesville, muri Kentucky

2) Abaheburayo bari munsi ya _____. Nuko Pawulo yariko arageregeza kubereka _____ ico ari co.

☐ Ubushumba / Umwidegemvyo
☐ Ugutsindanishirizwa / Ukwezwa
☐ Ubuntu / Ivyagezwe
☐ Ivyagezwe / Ubuntu

3) Urufatane ruhambaye rw'ugutungana rwaciwe n'umwanya w'ibihe. Ibihe vyaje kubera _____.

☐ Icaha
☐ Imana
☐ Irema
☐ Urupfu

4) "Uyu munsi ni co Satani ariko arakorera n'ubwukuri, na nyabwo (Nimwumvirize!), _____ bw'Imana: arabwonona, akabuhindura ikindi kintu, agatuma busa n'ikintu butari co."

☐ Abantu nyakuri
☐ Ishengero nyakuri
☐ Ubutumwa nyakuri
☐ Insobanuro nyakuri

5) "Nuko rero, biradukwiye ko tuguma turi aba Mpwemu, tugasoma Ijambo. Kandi ikintu cose cadutse hanze yaryo, gihushanye n'Ijambo, duce _____."

☐ Tugisengera
☐ Tuciga twitonze
☐ Twifatanya na co
☐ Tugishira ku ruhande

6) Mwene Data Branham yavuze iki ku bijanye na ya mvugo ya kera ngo: "Imana Ifasha uwifashije"?

☐ "Dutegerezwa kwemera ko ari hafi kuba ukuri."
☐ "Wa mugani wa kera utubaha Imana."
☐ "Nama ndayigumiza mu bwenge."
☐ "Ni ukuri, dutegerezwa kwifasha."

7) Imana Yanditse ryari izina ryawe, Irifatanya n'Izina Ryiwe?

☐ Umaze kwakira Mpwemu Yera.
☐ Imbere y'uko isi ishirwaho.
☐ Igihe wezwa.
☐ Igihe wasenga ubwa mbere.

8) Ni igiki gishobora kudutandukanya n'urukundo rw'Imana ruri muri Kristo?

☐ Nta na kimwe
☐ Urupfu
☐ Akaga
☐ Indwara

9) Zaburi ya 23 ivuga iti: "Naho nogendera mu bitutu vy'umwiza vyo mu mwonga w'urupfu."

☐ Si vyo
☐ Ni vyo

10) Igihe umukogote wiwe waca mw'ibarabara, umwese igihe ijwi ryasemerera, Umunyegiputa wese, naho boba bamwanka gute, bapfukamira _____.

☐ Mose
☐ Potifari
☐ Farawo
☐ Yosefu

11) "Uguhumanura kw'Amaraso y'Umwagazi, iyo kumaze gukubura neza, gusukura uwusenga, _____ icaha riragenda burundu. Nimuvyiyumvire."

☐ Ukwibuka
☐ Ukwiyagiriza
☐ Ijwi nyene rimwagiriza
☐ Ikigeragezo

12) "…ariko uwusenga amaze guhumanurwa rwose rimwe, ntiyari kuba agifise…ijwi rimwagiriza icaha?" Mwene Data Branham yavuze ko ijambo "agatimanama," mu nsobanuro ibereye yakoresheje ng'aha, ryosobanura iki?

☐ "Ukwiyagiriza"
☐ "Icipfuzo"
☐ "Ikigeragezo"
☐ "Iciyumviro"

13) "Aho hari indimi, _____. Ahari ukuvugishwa, _____. Ahari ubumenyi, buzovaho. Ariko igihe igitunganye kizoba kije, igice _____."

☐ Zizorangira / Kuzobandanya / Kizotunganywa
☐ Zizobandanya / Kuzogumaho / Kizotunganywa
☐ Zizokwiyongera / Kuzotsinda / Kizohishurwa
☐ Zizohagarara / Kuzorangira / Kizokurwaho

14) Hari ibigeragezo vyinshi biba ng'aha hasi. Ariko hariho Umuntu Abiraba, igihe cose.

☐ Si vyo
☐ Ni vyo

15) Igihe Gaburiyeli yavuza inzamba ntoyi, ni Abamarayika bangahe bashizwe ku murongo mu burebure bw'uruzi kugira ngo barabe neza ko ata ngona, canke ikindi kintu na kimwe, gikora ku mwana wa Amuramu na Yokebedi?

☐ Ibihumbi cumi
☐ Igihumbi
☐ Ijana
☐ Amajana atatu

16) "Iri ni ryo sezerano Nzogirana na bo muri iyo minsi, ni ko Umwami Avuga, Nzoshira Ivyagezwe Vyanje mu mitima yabo, kandi Nzovyandika mu bwenge bwabo; kandi ivyaha vyabo n'ibigabitanyo vyabo _____."

☐ Sinzokwongera kuvyibuka ngo ndabibagirize
☐ Sinzobihanagura munsi y'Ijuru
☐ Sinzobikuraho muri iki gihe
☐ Sinzobihana mu runganwe rushasha

17) Iyo ikidubu c'ingore kitavyaye abana muri uwo mwaka, kandi ntigishobore kuronka abana baco bo mu mwaka uheze, Mwene Data Branham yavuze ko gifata ikindi kintu maze kikakirera nk'umwana waco. Mu nyishu zikurikira, ni iki yavuze ko gishobora gufata?

☐ Izo nyishu zose
☐ Umwana w'umuntu
☐ Utwana tw'imbwa yo mw'ishamba
☐ Utwana tubiri tw'amabingira

18) Hari imiti mw'isi ishobora gutururuza imitsi.

☐ Si vyo
☐ Ni vyo

19) "Nta _____ wo gutururuza uguhungabana kw'imitsi uriho, ariko ndanezerewe cane ko hariho _____."

☐ Umuti / Umuti wo kuvura
☐ Umuti wanditswe na muganga / Vitamine
☐ Umuti / Ugukira
☐ Ugukira / Umuti

20) Mwene Data Branham yabwiye mushiki wacu ku mpera ya bande ati: "Waramanutse gushika ng'aha. Ariko ubu utegerezwa kwizera ko uri hariya hejuru, maze ukavyizera. 'Kandi ukwizera kutagira ibikorwa kuba gupfuye.' Nimba uvyizera, rero kora nk'uwuri hariya hejuru, maze Imana _____."

☐ Izogushikana i Muhira amahoro
☐ Izoca Iguduza Igushire hariya hejuru kandi
☐ Izogusukako imigisha yose yo mw'Ijuru
☐ Izokuraho amaganya yawe yose